# 216: Sinkigomb' ubutunzi

1. Sinkigomb' ubutunzi
Naho bgob' ar' inka,
Ngomba kuja mw’ijuru
Mu busho bg' Imana:
Mu gitabo c'ubgami
Canditswemw' abera,
Mbega Yesu Mukiza,
Waranyanditsemwo?

Ref: Mbeg' izina ryanje
Riri mu gitabo?
Mu gitabo c' ubgami,
Waranyanditsemwo?

2. Mukiza, mfis' ivyaha
Vyinshi nk' umusenyi,
Ariko Yesu, nizey'
Amaraso yawe;
Waransezeranije
Yukw’ivyaha vyanje
Naho vyob' agahama
Bizocik' umweru.

3. Har' umurwa mw ijuru
Mwiz'ukayangana,
Urimw' abakijijwe
Nta kibi kibayo.
Maze kuko nogejwe
N'amaraso yawe.
Ndazi ko wunyanditse
Mu gitabo cawe

Ref: Nzi kw'izina ryanje
Riri mu gitabo :
Mu gitabo c'ubgami,
Waranyannditsemwo.

Visit us at burundi.indirimbo.com